REPUBLIQUE DU BURUNDI
PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
AGENCE DE REGULATION ET DE
CONTROLE DES TELECOMMUNICATIONS (ARCT)

**ITANGAZO RIJANYE N'IYINJIZWA, ICURUZWA N'IKORESHWA RY'IBIKORESHO VY' UBUHINGA BWA NONE BWO GUTUMATUMANAKO.**

Ikigo kijejwe kugenzura itumatumanako (ARCT) kiramenyesheje kandi kiribukije ko abo bose binjiza ibikoresho bijanye n'ubuhinga bwa none bwo gutumatumanako ibi bikurikira : Haba mu ntumbero yo kubikoresha muma shirahamwe yabo canke kubicuruza, babwirizwa kwisunga ibijanye no kuronswa impusha za nkenerwa zo kuvyinjinza mu gihugu c'Uburundi, kubisohora mu bubiko bubijejwe ku mipaka yose y'igihugu, kubikoresha canke kubidanza. Ivyo vya nkenerwa navyo bishobora kurabwa ku rubuga ngurukanabumenyi bw'ico kigo arirwo www.arct.gov.bi .

Ico kigo kiragabisha abo bose batazovyubahiriza ko bazofatirwa ibihano hisunzwe amategeko agenga ico gisata.

Vyongeye, abo bose basanzwe bacuruza ibikoresho bijanye n'ubuhinga bwa none bwo gutumatumanako (nk'akarorero ama terefone, inyabwonko, ibikoresho vyo gufata amasanamu n'amajwi , inyakiramajwi, n'ibindi n'ibindi) badafise impusha zirikugihe zatanzwe zibemerera gucuruza ivyo bikoresho, ko bagiye guhanwa hisunzwe amategeko agenga ico gisata.

**Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 07 / 04/2022**

**UMUYOBOZI MUKURU W'IKIGO ARCT**

**Dr MUHIZI Samuel**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
A.R.C.T
Direction Générale de l'Agence de Régulation et de Contrôle des Télécommunications

N°14, Avenue de France, Quartier Rohero I, Bujumbura - BURUNDI
Email: info@arct.gov.bi Site web: www.arct.gov.bi
Tél. : +257 22 25 56 67 ou +257 22 21 02 76 Fax: +257 22 24 28 32
B.P. : 6702 BUJUMBURA N.I.F: 4000004954